www.kidworship.kr

# Umusamariya w'imbabazi

- 8th story -



48Page

**Uwuvuga** Umuhinga w'ivyanditswe ahagarara imbere ya Yesu.

**Umuhinga** Mbega nokora iki ngo ndagwe ubugingo budashira?

**Yesu** Ivyanditswe bivuga iki?

**Umuhinga** Kunda Imana yawe n'umutima wawe , umushaha, inkomezi , n'ivyiyumviro vyawe vyose kandi ukunde na mugenzawe nk'uko wikunda.

**Yesu** Urabitoye. Bikore hanyuma uzoragwa ubugingo budashira.

**Uwuvuga** Uwo muhinga w'ivyanditswe ashaka kwisigura aca abaza Yesu:

**Umuhinga** None ninde ari umubanyi wanje?

**Uwuvuga** Yesu amwishura mu umugani.

---



49Page

**Yesu** Umuntu umwe yari avuye i Yerusalemu aja i Yeriko aca agwa mu maboko y'ibisuma.

**Igisuma ca 1** We sha! Ndashaka amahera n'izo mpuzu wambaye! Ndabit-wara kandi n'ivyanje vyose!


**Umugabo** Oya! Ntabara mubisumbize!!

**Igisuma ca 2** Punch! Punch!! Nibaza ko ushaka gukosorwa! Kubita! kubita!!

**Umugabo** Argh! Ugh! Oomph! Owo! Ouch!!

**Yesu** Ba basuma barakoba wa muntu impuzu ziwe, baramukubita hanyuma barigira, bamusize ari ikiruruma.

---




50Page

**Yesu** Uwo muntu yari yakubiswe ku buryo atakibasha no guhagu-ruka. Aca yumva, urwamo rw'ibirenge. Hari umuherezi yariko aratanga ibimazi ku Mana mu rusengero.

**Umuntu** (Yiyumvira) urakoze mana, umuherezi! Arantabara nta nkeka!! Ugh…ntabara! Ouch...ndakwinginze untabare!

**Yesu** Wa muherezi amubonye aho agaramye, aca ku ruhande arigi-ra.

---



51Page

**Yesu** Haheze akanya, humvikana imigere. Yari umulewi afasha wa muherezi mu rusengero.

| | |
|---|---|
| **Umuntu** | (Yiyumvira) Ouch…umulewi, nta nkeka arantabara. Ndakwinginze untabare. Ndakwinginze…ndakwinginze…ntabara.. |
| **Yesu** | Wa mulewi nawe abona wa mugabo agaramye mw'ibarabara nawe yicira ku ruhande arigira. |

…………………………………………………………………………………………



52Page

| | |
|---|---|
| **Yesu** | Wa muntu agaramye aguma ahera inguvu. Haheze akanya hasubira kumvikana imigere. Umugabo yariko aragenda ku ndogoba. Yari umusamariya. Abasamariya basuzugurwa bagakengwerwa n'abisirayeli. |
| **Umuntu** | (Yiyumvira) haba wa muherezi eka n'umulewi nta numwe yahagaze ngo amfashe, n'uyu musamariya nawe arirenganira. Ah, ndiko ndahera inguvu…ubu ndibaza ko ngira mpfe… |

…………………………………………………………………………………………



53Page

| | |
|---|---|
| **Yesu** | Wa muntu yari afise ingoga nke kandi yaza yihebuye aho igitangaza camushikira. Wa musamariya yuruka ya ndogoba yegera wa muntu ngo amufashe. |
| **Umusamariya** | Yo ncuti! Watakaje amaraso menshi. Hari abasuma benshi muri aka gace, ubwirizwa kwiyubara! |
| **Yesu** | Uwo musamariya aritonda atangura kumuhanagura amaraso. Hanyuma aca ahanaguza ibiguma vyiwe amavuta arabitekera neza. |

…………………………………………………………………………………………



54Page

| | |
|---|---|
| **Yesu** | Wa musamariya ashira wa muntu ku ndogoba yiwe amujana ahantu aramwitaho. Umusi ukurikira, afata amahera makeyi, ayaha uwo amusigaranye aramubwira: |
| **Umusamariya** | Ndagiye, ariko ndakwinginze umunkurikiranire. Ninagaruka, nzogusubiza ayandi uzoba warakoresheje. |
| **Uwuvuga** | Ndagiye, ariko ndakwinginze umunkurikiranire. Ninagaruka, nzogusubiza ayandi uzoba warakoresheje. |
| **Yesu** | Hari abantu batatu muri uwu mugani- umuherezi, umulewi n'umusamariya. Ninde wibaza ko yari umubanyi ashitse w'uwo muntu yaguye mu maboko y'abambuzi? |
| **Umuhinga** | Uwamugiriye impuhwe akamufasha-umusamariya |
| **Yesu** | Ni uko nyene. Genda nawe ubikore nk'uko. |
| **Uwuvuga** | Uwo muhinga w'ivyanditswe akorwako bidasanzwe n'ayo majambo ya Yesu. Agenda ariyumvira cane. |